1. Tubanje gushimira Imana Mushoboravyose yaduhaye Igihugu ciza, kandi yama ituja imbere mw'irangurwa ry'Imigambi myiza itandukanye. Nihabwe Icubahiro imisi yose na hose.

2. Haraheze umwaka urenga tugenye umurwi w'abahinga bajejwe gukurikirana no gutanga intumbero, mw'iyandikwa ry'umugambi w'iterambere ry'Igihugu uzomara imyaka cumi. Twisunze icegeranyo c'abo bahinga, twaragenye murwi wagutse, uhurikiyemwo abaserukira ibisata vyose vy'Igihugu, mu ntumbero yo guca irya n'ino integuro z'ibikorwa vy'iterambere mu gihugu cose.

3. Hari uwokwibaza ati mbega ni kuki twahisemwo integuro y'umugambi w'imyaka cumi aho kugira imigambi migufi migufi nk'uko vyahora bigenda mu bihe vyaheze ? Inyishu si iyindi, ni uko Uburundi bwateye intambwe, ntibukiri igihugu kibaho ku musi ku musi nko mu bihe vy'umutekano muke.

4. Igihugu gisasagayemwo amahoro n'umutekano, gitunganya imigambi miremire ifatiye kw'iyerekwa no kubona kure, abakirongoye ntibiyumvira abana babo gusa, ahubwo biyumvira abuzukuruza n'iteka ry'Igihugu, bisigura ko imbere ari heza cane.

5. Kuri uno musi rero turamutse dushikiriza tukongera tugatanguza ku mugaragaro uyu mugambi, ni akaryo keza ko gukeza no gutera intege abahinga bahuje umutima n'inama, bagasenyera ku mugozi umwe mu vyiyumviro vyiza n'ibikorwa bitandukanye. Turakeje abo bahizi b'Abarundi badushikanye kuri uwo mugambi.

Banyakwubahwa mwese, Batumire bahire ;

6. Bubaye ubwa mbere twiteguriye Umugambi w'Igihugu w'Iterambere wizwe ukanonosorwa n'Abarundi ubwabo. Uwo mugambi w'imyaka 10 kuva 2018 gushika 2027, tuwukesha abahinga b'Abarundi mirongo indwi (70).

Kuva ubu, baba abipfuza kuzana imitahe mu Burundi, canke kudusahiriza mu migambi itandukanye, bose bazokwisunga uwo mugambi nkomoko w'iyindi migambi.

7. Turashimishwa no kubona ko kuva uyu mugambi wemejwe ku mugaragaro n'Inama Nshikiranganji igenekerezo rya 29/06/2018, Ubushikiranganji bwose bugize Reta y'Uburundi bwaciye butangura kuwisunga mu nteguro z'ibikorwa biriko birarangurwa mu bisata bigize ubuzima bw'Igihugu cacu.

8. Uwu mugambi w'Igihugu ugiye gushirwa mu Kirundi kugira ngo Abenegihugu bose ata n'umwe avuyemwo bawutahure, bawugire rwabo koko. Uzoca uba kimwe mu bigabane bigize za nyigisho zo gukundisha Uburundi abenegihugu, ni nabo bambere bazoshira mu ngiro uyu mugambi gusumba abandi bose.

9. Turararitse Abarundi b'inkerebutsi ngo batangure kwigisha ibiri muri uyo mugambi no kuwushira mu ngiro, gutyo dushobore gushika kw'ihangiro ry'umurindi urenga 10% ku mwaka mu kuzamura ubutunzi bw'Igihugu. Twame tuzirikana na ntaryo wa mwibutsa ngo **« Ak'imuhana kaza imvura ihise».** Iyo ni Ingingo ihambaye Abarundi dufashe. Kukaba nkako, nk'uko umuhinga Serejiyo Ngendakumana yaraye ayamaze, **« Ata ngingo nta ntsinzi».**

10. Kugira dushobore gushira mu ngiro neza uyu mugambi dutanguje ku mugaragaro uno musi, dutegerezwa kumenya

ibiwugize bikuru bikuru hamwe n'amahangiro yategekanijwe igisata ku gisata. Dutegerezwa kandi kuzirikana ko n'uru ari urundi rugamba dutanguje rugiye kuzomara myaka cumi, ruzodushikana ku kwikukira nyakuri, aho Abarundi bazokwigaba bakigaburira. Vyongeye ba sokuru barayamaze ngo: **« Ntawuterwa iteka atekewe mu vyatsi ».**

Banyakwubahwa mwese, Batumire bahire ;

11. Uyu mugambi w'Igihugu ni igitabu gitanga intumbero nkaburabwenge nkuru nkuru kugira ngo dushike kw'iterambere rirama mu mwaka w'2030. Ng'ibi ibisata bikuru bikuru uwu mugambi wisunga:

- Uburimyi n'ubworozi;
- Amahinguriro n'inyubakwa zishigikira ubudandaji;
- Gukomeza ubumenyi n'indero;
- Kwitaho ibidukikije n'ihindagurika ry'ibihe;
- Umutekano n'ukwigenga kw'igihugu cacu hamwe n'intwaro ibereye;
- Kwegeranya imitahe ikwiye biciye mu bagwizatunga;
- Kurwanya ibiturire no gusesagura itunga rusangi;
- Gukomeza imigenderanire myiza n'ibindi bihugu.

12. Mu buryo bugaragara, uyu mugambi ushimikiye ku nkingi cumi na zitandatu zigizwe nazo nyene n'intumbero nkuru nkuru mirongo itanu n'imwe (51). Kugira ngo ivyo vyose bije mu ngiro, umugambi w'iterambere uhera mu mwaka w'2018 ugashika mu mwaka w'2027, uzokwifashisha Integuro y'ibikorwa nyamukuru imara imyaka itanu biciye mu bushikiranganji bwose bugize Reta y'Uburundi.

Waba uwo mugambi w'imyaka cumi, canke Integuro nkuru ya Reta y'imyaka itanu, vyose abahinga barageraageje kwerekana

neza uburyo bukenewe ku nkingi zose n'ivyitezwe gushikwako.

Banyakwubahwa mwese, Batumire bahire ;

13. Birakwiye kandi birabereye ko twishimira iki gikorwa c'iteka turiko turashira ku mugaragaro uyu musi. Kukaba nkako, intumbero nyamukuru z'ibi birori ni zitatu:

Intumbero ya mbere: Kwereka Abarundi n'amakungu uyu mugambi w'iterambere w'imyaka cumi n'ibiwuherekeza bikenewe bizofasha mu kuwushira mu ngiro;

Intumbero ya kabiri: Guhimiriza Abarundi, abanyamitahe, incuti z'Uburundi n'abandi basanzwe badufata mu mugongo ngo bisunge badahigimanze inkingi nyamukuru z'iterambere ziri muri uyu mugambi. Kuva uno musi niwo ugiye kuba ibuye ry'iremezo ku nteguro zose z'ibisata vya Reta, ivy'Abarundi, ivy'abikorera ivyabo, ibihugu n'amashirahamwe mpuzamakungu akorera mu Burundi, amadini n'amashengero, tutibagiye amashirahamwe adashira imbere inyungu za poritike;

Intumbero ya gatatu: Kwumvisha abadusahiriza mu migambi y'iterambere intumbero hamwe n'iyerekwa ry'iterambere birama Uburundi bwafashe hisunzwe ivyipfuzo vy'iterambere bivuye mu benegihugu, hamwe n'imigambi nyobozi nk'Ihangiro ry'Iterambere gushika mu mwaka w'2030, Umugambi wa Afirika ya kazoza twipfuza mu mwaka w'2063, Umugambi w'iterambere ry'ibihugu bigize Umuryango wa Afirika yo mu buseruko, n'ibindi.

Banyakwubahwa mwese, Batumire bahire ;

14. Uyu mugambi uje kugaragaza no gushimangira ukuri atari agaseseshwarumuri, ko Abarundi dushoboye kandi ntidukekeranya ko uzoja mu ngiro, na cane ko utangujwe mu gihe Uburundi burangwamwo amahoro, umutekano n'impore mu mpande zose, Abarundi dufatanye mu nda mu budasa bwacu, tumaze gutegera ko turi bene mugabo umwe, ko dusangiye ugupfa no gukira, ko dutegerezwa kandi gusangira ikivi n'ikigega.

15. Twuguruye uyu Umugambi w'Igihugu w'Iterambere kandi mu gihe duherutse kugaragaza ko twikukiye koko kandi ko dushoboye. Akarorero ka hafi ni Ibwirizwa Shingiro rihwanye n'ugushaka kw'Abenegihugu twashitseko dukoresheje uburyo bukomotse mu Benegihugu ubwabo, nk'uko tunagiye kuvyikorera mu matora y'2020 aho mbere twiteze umusesekara, tukanatangariza Abarundi n'amakungu ko ayo matora azogenda neza cane gusumba ayandi yose amaze gutunganywa mu Burundi. Imana Mushoboravyose niyo cabona.

16. Ntitugiye guhagararira ngaha. Umugwi w'abahinga bateguye uyu mugambi ugiye kwagurwa kugira ngo utegure uwundi mugambi uzodushikana mu mwaka w'2042 ; tuve kuri uyu mugambi w'imyaka 10, dusimbize tuje ku mugambi w'imyaka 15 ari nawo uzotuvana mu mwaka w'2027 ukadushikana mu mwaka w'2042; uwo nawo ukaba uzotegurwa guhera mu mwaka w'2022.

17. Imbere yo gusozera, dusavye Reta n'Inzego zose zatowe n'abenegihugu, urwaruka, amashirahamwe yaba ayo ngaha iwacu canke mpuzamakungu ndetse n'abikorera utwabo kwisunga iri semo duteye uyu musi.

18. Turahaye ikaze uwo wese yipfuza kudushigikira mu gushira mu ngiro uyu mugambi. Yamara rero, turasubiye kumenyesha ko

tutazodohoka kw'Iteka ryamye riranga Abarundi kuva na kera na rindi. Abarundi bamye barya bakaravye, kandi ntibigeze barya ibitagabuye. Ntituzokwigera twemera imfashanyo, intererano canke ingurane yoza itosekaza Iteka ry'Uburundi canke ihungabanya imico n'imigenzo myiza y'Abarundi, twarazwe na basokuruza bacu aribo bavyeyi bacu twakomotseko tubahawe n'Imana. Nta n'umwe ashobora canke tuzokwemerera kudutandukanya nabo.

19. Twipfuza kandi ko amakungu yose yotegera ko Uburundi butakiri mu bigero vy'imfashanyo zo kubaho ku musi ku musi. Uburundi bugeze nyabuna mu bigero vy'intererano n'ingurane zitavuna, kugira bwitunganirize imigambi y'iterambere ijanye n'ishaka rya beneburundi.

20. Abarundi tugiye gukoresha ubwenge, ubuhizi, ubukerebutsi n'ubutunzi Imana yaduhaye. Tuzoruhuka dushitse kw'ihangiro ry'uyu Mugambi. Kuva ubu, Tugiye gukora tutiziganya tuzirikana ko kazoza keza k'abuzukuru n'abuzukuruza bacu kari mu minwe yacu. N'iyi ni ingingo ntabanduka Abarundi dufashe.

Niharambe iterambere rirama kandi ridakumira mu Burundi;

Niharambe ugufashanya kw'Uburundi n'ayandi makungu ;

Ubwenge, Ubukerebutsi n'Ubuhizi bifate icicaro mu mitima y'Abarundi;

Imana Mushobora vyose ihezagire Uburundi n'Abarundi;

Murakoze!